Australian Government

Department of Home Affairs

# Privacy notice

## Itegeko ry'amabanga

Form

1442i KIR

KIRUNDI

Igisata c'ibijanye no Home Affairs (Igisata c'ibijanye no Mugihugu) (Igisata) harimwo n'Igisata kijejwe imbibe (Australian Border Force). The *Privacy Act 1988 (Itegeko ry'amabanga ryo muri 1988)* risaba Igisata kumenyesha ingorane z'umunyagihugu biciye mu bibaranga. Iyikarata niyo gutahura canke kumenya ingorane canke ibibazo vyawe.

## Mbega n'iki ibiranga umuntu?

Itegeko ry'amabanga ritanga ibiranga umuntu n'ibikwiye vyose biranga umuntu canke ivyo umuntu bwite ubwiwe ashikiriza canke yibaza ariko mugihe azizwi canke akwije ibimuranga.

Igisata kiregeranya kandi amakuru nkoramutima y'ibiranga umuntu, nk'uko vyemezwa n'itegeko ry'amabanga, kandi hakubiyemwo ibijanye n' ubwoko bw'umuntu, ukurangura amabanga y'abubatse, ivyaha ndenga kamere, amagara, hamwe n'ibimuranga bifatiye kumubiri bita biometric, amashirahamwe afisemwo ubunywanyi, idini canke ukwemera, ivyiyumviro vy'ukwemera hamwe n'umugambwe yegamiye.

Amakarata yo kuzuza ava muburongozi bw'Igisata ca *Migration Act 1958* (the Migration Act) (*Uruhara Gwigikora c'amasezerano yo kuba mu mahanga co 1958* (Itegeko ryo kuba mu mahanga)), *Customs Act 1901* (The customs Act) (*Itegeko ry'imisoro ry' 1901* (Itegeko ry'imisoro)), *Immigration (Guardianship of Children) Act 1946* (the IGOC Act) (*Uruja n'uruza (Ukurera abana) Itegeko ry' 1946* (Itegeko rya IGOC)), *Excise Act 1901* (the Excise Act) (*Itegeko ryo gushira mungiro ry' 1901* (Itegeko ryo gushira mu ngiro)), *Australian Border Force Act 2015* (the Border Force Act) (*Itegeko ry'abacungera imbibe ry' 2015* (Itegeko ry'abacungera imbibe za Ostraliya)), *Maritime Powers Act 2013* (Maritime Powers Act) (*Itegeko ry'inguvu zo mu mazi ry' 2013* (Itegeko ry'inguvu zo mu mazi )), hamwe na *Australian Citizenship Act 2007* (the Citizenship Act) (*Itegeko ry' ubwene gihugu bwa Ostraliya ry' 2007* (Itegeko ry' ubwene gihugu bwa Ostraliya)).

## Ibiranga uwo uri we

Itegeko rwo kuba mu mahanga hamwe n'iry'ubwene gihugu hakubiyemwo ibisabwa mu kwegeranya inkuru, mu kuzikoresha hamwe no kuzihanahana, harimwo n'inkuru nkoramutima nka biometrics (arizo kandi bita 'ibiranga uwo uri we').

Ibikorwa bigenga no kumenya uwo uriwe habarimwo:

- igikumu canke gufatwa /gupimwa kw'ikibiganza
- ifoto y'ishusho yo mumaso hamwe n'ibitugu
- ugufatwa kw'amajwi yawe canke gufatwa kw'amajwi harimwo na mashusho yawe (ku mvo y'ibikorwa vyogukurondera ibiranga umuntu vyose bishoboka kuboneka)
- ugupimwa k'uburebure hamwe n'ibiro vy'umuntu
- gupima imbonero y'amaso
- umukono wawe, canke
- n'ibindi vyose bishoboka ku muntu arangwa neza canke amenyekana neza.

Inkuru bita biometric (bita kandi ibiranga uwo uri we) bashobora kuzegeranya canke kuzihweza bivuye ku muntu kugiti ciwe:

- ku bibuga vy'indege afashe ingendo
- kubasaba vyangobwa bari hanze y'igihhugu (harimwo n'abasaba gukingirwa)
- abatari abene gihugu ca Ostraliya
- abari abafashwe na Immigraion
- abasaba ubwene gihugu bwa Ostraliya.

## Mbega Igisata kijejwe ibindaga gikoresha iki urukurikirane rw'amakuru andanga.

Intubero y'Igisata ni ugukingira imbibe za Ostraliya hamwe n'uruja n'uruza rw'abantu n'ibintu ku mbibe mugufasha no mukugira ngo:

- Ostraliya igire kazoza keza biciye mu gukurikira abinjira n'abasohoka
- impunzi zikingirwe kandi mu guterera mu gateka ka zina muntu kw'isi yose
- umutekano wa Ostraliya ukomere biciye mu gukurikirana imbibe hamwe no kworohereza ingenzi
- begeranye ibiharuro kubijanye n'inyungu hamwe n'urudandaza
- borohereze abakora urudandaza babikwiye
- bafashe ku mutekano wo mu mazi hamwe n'inyungu z'abadandaji
- amategeko y'ivyinjira n'ibisohoka ashirwe mu ngiro gukurikirana ugushirwa mu nigro kw'amategeko
- amategeko agenga ubwene gihugu ashirwe mu ngiro.

Ido nido y'ivyerekeye ingenzi hamwe n'uruja nuruza bijanye nugusohoka hamwe nukwinjira ushobora kubironka kuri **www.homeaffairs.gov.au**

Iyo wibaza ko twoba twihenze mugufata canke kwandika ibikuranga vyawe, ushobora:

- uzuza mukibanza caho bihenze ibikuranga vy'ukuri Kuri **www.homeaffairs.gov.au/feedback** kumurongo
- andika kuri:
  The Manager
  Global Feedback Unit
  GPO Box 241
  Melbourne VIC 3001
  Australia

## Mbega ninde mugisata azokwakira amakuru y'ibindanga

Muncamake, Igisata (canke abakozi baco bajejwe gufasha) bazokwakira amakuru y'ibikuranga watanze wewe nyene, zatanzwe n'uwundi muntu wahaye uburenganzira bwo kuguhagararira canke ikindi gisata kibifitiye uburenganzira nk'uko biri mw'itegeko rijanye n'ingenzi ziba mu mahanga. Ibisata bibifitiye uburenganzira harimwo SmartGate hamwe n'ibindi bisata bikurikirana imbibe. Dushobora kwakira amakuru y'ibikuranga mugice ca gatatu aho usanga harimwo nabandi nkintumwa za leta, n'amategeko yabajejwe umutekano, leta ijejwe ingenzi, abafasha, uruhara rutanga ibijanye namagara yawe, aho wagiye urakora, ubumenyi na mashule wize hamwe n'uwarungitse canke uwanditse izonkuru zikurikirana zikuranga neza kumurongo. Akarorero (ak. 'dob-in calls')

### Intumwa canke abakozi bakora igikorwa co kugenzura uruja n'uruza rw'ingenzi mumahanga

Inkuru zimwe zimwe zijanye nibikuranga zirasabwa zakoreshejwe nizindi ntumwa ziva muyandi ma leta canke n'ibindi bihugu mu mategeko kugira zifashe Igisata gukora neza ku vyerekeye ibiranga neza umuntu.

Ibiranga umuntu bwite birasabwa kandi bigakoreshwa ahariho hose bishobora gukenerwa canke iyo hari ababikeneye nk'abakozi. Akarorero nk'abakozi bakora mumurwi wo kunguruza abantu mu ndege yaba izinjira n'izisohoka, mu buryo bwa mudasobwa (computer systems) mu bushakashatsi bw'ibiranga umuntu, mukubazwa, umurwi wo gufasha ukwinjira no gusohoka kw'ingenzi hamwe n'umurwi ujejwe ibiranga amagara y'ingenzi.

© COMMONWEALTH OF AUSTRALIA, 2020

Igisata gitegereza abakozi bagikorera kubahiriza itegeko ry'amabanga batitayeho nimba uri muri Ostraliya canke hanze yayo.

## Ugusabwa kw'ibikuranga vyasabwe n'amategeko canke vyemewe n'amategeko

Itegeko rijejwe kuba mumahanga, itegeko rya IGOC, itegeko ry'imisoro, itegeko ry'inguvu zo mu mazi, itegeko rijejwe gutangwa kubwene gihugu hamwe n'itegeko rejejwe amabanga yaremeza kandi yakarekura Igisata kijejwe ibiranga abantu ko vyakira inkuru zose ziranga abantu mu matageko.

### Itegeko rwo kuba mu mahanga

Mugihe co gusabwa kwa Visa, Igisata:

- kiremerewe gusaba ibiranga umuntu vyose bishobora gutangwa n'uwuje gusaba uburenganzira bwokuja mu mahanga (raba igice w'itegeko rya 56 rijanye no kuba mu mahanga), kandi
- nawe ushobora gusabwa ko werekana karangamuntu (raba umugabane w'itegeko rya 40 na 46 ryerekana ibijanye nukuba mu mahanga).

Abasaba canke abarondera visa canke abamaze kuronka ama visa basabwa gutanga inkuru zose mukibanza ca habaye ukwihenda mukwandika canke mukuzuza amakarata yibiranga umuntu iyo uriko usaba uburenganzira bwokuba mu mahanga visa raba (umugabane witegeko rya 104 na 105 mungingo).

Igisata kirashobora kugusaba gutanga kimwe canke birenga mu biranga umuntu mu ntumbero y'itegeko rijanye n'ingenzi ziba mu mahanga ry' 1994 hamwe n'ibirigenga.

Mugihe winjiye igihugu ca Ostralia, Igisata kijejwe ugusohoka no kw'injira kw'ingenzi kirongera kiga gusaba gutanga canke kwerekana ibikuranga (Akarorero pasipoti ku banyagihugu, hamwe n'ikindi ca ngobwa na viza kubadafise ubwene gihugu). Iyo utari umunyagihugu kandi vyangobwa ntubitange ntushobora kwemererwa kwinjira igihugu ca Ostraliya (raba itegeko rya 257A rijanye no kuba mu mahanga).

Iyo usohotse Ostraliya, Igisata gishobora kongera gutanga ibikuranga kandi (raba itegeko rya 257A ry'ukuba mu mahanga).

Ibiranga bitemewe n'amategeko kubanyamahanga, Igisata kijejwe ugusohoka no kwinjira kw'ingenzi kishobora kugusaba:

- ivyemeza ibikuranga hamwe na visa harimwo na karangamuntu (raba itegeko ryi 188 rijanye n'ingenzi ziba mu mahanga)
- ingenzi yikestwe ko yatanze ama dokima canke inkuru kuvyerekeye ibimuranga vyikinyoma canke bitemewe n'amategeko canke bijanye kubiri n'amategeko (raba itegeko rya 18 rijanye n'ingenzi mu mahanga).

Umuntu ari mw'ibohero rya imigration ategerezwa gutanga ibiranga umuntu (raba igice ca 258 hamwe na 261AA(1) ry'itegeko rigenga ingenzi hamwe n'ugutunganywa kwa 3.30 ry'ugutunganwa kwa migration).

Mugihe c'abagwiza tunga ba badandaza, Igisata hamwe na Fair Work Ombudsman (FWO) (Igisata c'umurwi ujejwe ibikorwa vyiza kandi biboneka mu gutohoza (FWO)) gishobora kurondera ibibaranga bafashijwe na bo hejuru bajejwe gusuzuma canke kwiga neza muduce tw'umugabane wa F w'umugabane wa 3A wigice ca 2 mu mategeko ajejwe ugusohoka no kwinjira kw'ingenzi.

Ku mpamvu zijanye n'ubushobozi bwo gusaka buri mu gice ca 252 c' Itegeko rwo kuba mu mahanga, umukozi abifitiye uburenganzira arashobora kugumana vyangombwa canke ibindi bintu basanganye umuntu canke ibintu afise mu bintu vyiwe, nk'akarorero ibintu bishobora kuba ivyemeza vyotuma bahagarikira umuntu visa.

Umukozi arashobora kugumana vyangombwa vyivyiganano vyafashwe (raba igice ca 487ZJ, hamwe n'ikigabane ca 1 c'igice ca 9 mw'Itegeko rwo kuba mu mahanga hakubiyemwo ingene vyangombwa bitegerezwa gukurikiranwa).

### Itegeko r'ubwene gihugu

Igisata gishobora kwegeranya ibikenewe vyose bikwiye kugira cihweze neza ko ukwije ibisabwa namategeko mu guhabwa ubwene gihugu.

Turemererwa neza gusaba ibiranga umuntu vyose bikenewe mu kuzuza icete cogusaba ubwene gihugu mu mahanga kandi icete ntigishobora kwemerwa iyo amakuru yibikuranga asabwa yose adashoboye kuboneka (raba umugabane wa ga 5 wigice ca 2 hamwe nuruhande rwaa 17(3), 19D(4), 24(3), hamwe niya 30(3) y'uburenganzira kubwene gihugu.

Umukozi yarungitswe arashobora kugumana vyangobwa vyivyiganano vyafashwe (raba igice ca 45B, hamwe n'ikigabane ca 1 c'igice ca 3 mw'Itegeko ry'ubwenegihugu hakubiyemwo ingene vyangombwa bitegerezwa gukurikiranwa).

### Itegeko rya IGOC

Muri *Immigration (Guardianship of Children) Act 1946* (the IGOC Act) (*Uruja n'uruza (Ukurera abana) Itegeko ry' 1946* (Itegeko rya IGOC)), hamwe n'ugushirwa mungiro kwayo, umushikiranganji ajejwe uruja n'uruza ni we ahagarariye abimukira batararonka ubwenegihugu kandi bakiri munsi y'imwaka baba baje batarikumwe n'abavyeyi canke abaryango bafise imyaka 21 canke irenga (bazwi kuri urwaruka rwa IGOC).

Mugufasha mugushira mungiro ibitegerezwa mu gufasha abana, itegeko rya IGOC rwemerera umushikiranganji gukoresha ububasha yahawe no gukorana n'abakozi ba Leta canke b'intara (bita kandi 'abasubirizi babarezi'). Abavyipfuza kandi babishoboye haba no mumashirahamwe barashobora kubagira 'abarezi' b'urwaruka rwa IGOC. Muri rusangi, umurezi arafise uburenganzira hamwe n'ububasha bwo gufata ingingo kubijanye no kurera hamwe no gukurikirana mu buzima bwa minsi yose umwana areze.

Mu gukurikirana umunsi ku munsi abana kubitaho n'ukubaho neza kwabo hisunzwe itegeko rya IGOC, Igisata kiregeranya ibiranga umuntu vyerekeye urwaruka rwa IGOC hamwe n'abarezi babo. Mu gushira mu ngiro ukwitabwaho no gufatwa neza kw'urwaruka rwa IGOC buri munsi, aho bikenewe kandi hakurikijwe itegeko ry'amabanga, Igisata kirashobora kusabikanya canke kwegeranya ibiranga umuntu biciye muri:

- ubuyobozi bw'intara, harimwo n'amashirahamwe ajejwe ukubaho neza kw'abana
- abasubirizi babarezi'
- abarezi
- abavyeyi, abarezi hamwe/ canke abo bagipfana, hamwe / canke
- ayandi mashirahamwe ya Leta ya Ostraliya.

### Itegeko ry'imisoro hamwe n'itegeko ryo gushira mungiro

Igisata kiremerewe kwegeranya inkuru zitandukanye ku biranga umuntu hamwe n'inkuru kubijanye n'urudandaza akora mu gushira mungiro amategeko yo gushira mungiro hamwe n'ayandi mategeko ya Ostraliya (harimwo itegeko ry'abimukira hamwe gushira mungiro imisoro). Muri make, Igisata cegeranya inkuru zose mugucungera imbibe za Ostraliya no kugira ngo begeranye imisoro yo ku mbibe.

Ikindi gihe, impapuro zo kuzuza mu kwegeranya inkuru zawe bivanye n'ibibazo bivuye mu mategeko y'imisoro n'ayo gushira mu ngiro hamwe no gushira mu ngiro imisoro bishobora kuba bifise unurenganzira bwihariye rwo kuvyegeranya. Izi mpapuro ziba ziriko insiguro zitomoye kubijanye n'ukwo kwegeranya inkuru, kuzikoresha hamwe no kuzisabikanya n'abandi kandi bisabwa kubigusomera muntumbero yo kubahiriza ibijanye n'amabanga.

Nk'akarorero, mu gice ca 64ACA na 64ACB c'itegeko y'imisoro, Igisata gisabwa kwegeranya inkuru zimwe zimwe zerekeye ingenzi hamwe n'abakozi bo mu bwato canke mu ndege bashitse muri Ostraliya, mu ntumbero yo gushira mu ngiro itegeko ry'imisoro, itegeko ryo kuba mu mahanga hamwe n'ayandi mategeko.


© COMMONWEALTH OF AUSTRALIA, 2020

### Itegeko ry'inguvu zo mu mazi

Igisata kiremerewe kwegeranya inkuru z'umuntu mu ntumbero yo gushira mungiro itegeko ry'inguvu zo mu mazi biciye ku mashirahamwe akorera mu mazi. Inguvu zituma bahimiriza amategeko ya Ostraliya y'ibijanye no mu mazi, harimwo kuroba bitajanye n'amategeko, imisoro, ibitero vy'abiyahuzi, abimukira, akato hamwe no kuguza ibiyovya bwenge, hamwe n'imyumvikano mpuza makungu hamwe no gukurikirana ibiyaga.

### Itegeko ry'amabanga

Itegeko ry'amabanga ruratanga uburenganzira bwogusaba:

- ibiranga vyose vyinkora mutima bikenwe mugihe vyemewe n'amategeko canke birekurwa nigisata kijejwe umutekano canke inyamira mabi ariko mugihe ubi bemereye ku bitanga canke kubikora
- Izindi nkuru zikenewe mugihe vyumvikana neza canke bikenewe canke bijanye nivyo bintu canke n'Igisata kijejwe ukwinjira hamwe no gusohoka kw'ingenzi.

## Amategeko aho Igisata ari ishirahamwe rihimiriza itegeko

Igisata ni ishirahamwe rihimiriza itegeko mu ntumbero zimwe na zimwe hakurikijwe amategeko akurikira: *Crimes Act 1914 (Itegeko mpana vyaha ry' 1914)*, *Criminal Code Act 1995* (*itegeko rishiraho ibihano mpana vyaha ry' 1995)*, *Australian Nuclear Science and Technology Act 1987* (the ANSTO Act) *(Nuclear Science ya Ostraliya hamwe n'itegeko ry'ubuhinga bwa none ry' 1987* (itegeko rya ANSTO), hamwe n'itegeko rya *Independent National Security Legislation Monitor Act 2010* (*Independent National Security Legislation Monitor ry' 2010)*, barashobora kwegeranya inkuru mu ntumbero yo gushira mu ngiro ibikorwa biciye muri ayo mategeko.

## Igituma canke Impanvu tugusaba amakuru yose akenewe

Impanvu tugusaba amakuru yose akenewe nukugira bishikirizwe Igisata kibikeneye kiriko gikorana canke gifashanya n'Igisata kijejwe ugusohoka no kwinjira kw'ingenzi hamwe no mugice co guhabwa ubwene gihugu, hamwe n'uruja n'uruza rw'ivyinjira n'ibisohoka ku mbibe. Turatunganya urutonde rw'ibi bikurikira:

- visa hamwe no kuba mumahanga
- Uburongonzi bujejwe amategeko y'imisoro n'ishirwa mungiro, harimwo gukurikirana ishirwa mu ngiro ry'ayandi mategeko ya Ostraliya harimwo imisoro, amagara meza, akato, urudandaza, ivyaha ndenga kamere, ubwenge hamwe n'amategeko ajejwe gukingira abantu mu mirwi
- ubuhungiro hamwe nugufasha ikiremwa muntu
- ugukingirwa kw'imbibe
- Ugusabwa kwa visa hamwe nogutunganirizwa muri imigratiyo.
- Ibohero rya imigratiyo, kurungikwa canke gusubizwa inyuma iyo waje uva (hakubiyemwo amashirahamwe afasha hamwe n'inzego zo hanze mugufasha abantu bari hanze y'igihugu, nko gukurikiza amategeko, amashirahamwe atanga uburenganzira hamwe no guhabwa ubuhungiro.)
- ubwene gihugu.

Amakuru yose utanga iyo uriko usaba visa, gutumaho umuntu, urudandaza, ivyinjira n'ibisohoka, akato, canke iyo hageze kusaba ubwene gihugu zirongera zigakoreshwa ku mvo yambere kandi kubwico gikorwa.

Musi yitegeko rya mabanga, amakuru arashobora gukoreshwa ku mvo yakabiri. Muncamake niho ushobora kwitega ko Igisata gikoresha amakuru yawe kandi invo ya kabiri ishobora kuba ijanye n'invo yambere (amakuru yinkora mutima) canke ajanye n'invo yambere (kubwayandi makuru yabandi bantu). Akarorero, amakuru utanga mugihe uriko usaba visa ashobora gukoreshwa kuri kazoza (harimwo *Freedom of Information Act 1982 (uburenganzira bwo gutanga inkuru bwo mu 1982)* hamwe n'amategeko ajanye n'amabanga). Hejuru yivyo dushobora gukoresha amakuru ya electronic contact watanze ubwambere kugira habeho gutorerwa inyishu y'ikibazo c'Igisata kijejwe kwinjira no gusohoka kw' ingenzi (immigration).

## Inkurikizi iyo Igisata kitaronse canke kidafise amakuru y'ibikuranga

Iyo amakuru ajanye n'ibikuranga atabonetse, Igisata kibijejwe gishobora kudashobora kwiga ivyama visa yawe canke ivy'ubwene gihugu canke (nimba bikenewe) n'uku gutunganiriza canke kugufasha mu buryo butandukanye, mu rudadaza, ivyinjira, ibisohoka hamwe n'akato.

Kunanirwa nokuronka amakuru ajanye n'ibikuranga bishobora kubuza canke kuzibira Igisata kutagira ububasha bwukugufasha kuko kidashobora gukwiza ivyo amategeko asaba (mubijanye n'ibisabwa), akazi kaco nako kuzuza ibisabwa vyose, canke ibisabwa muza makungu muri Ostraliya.

## Kutanga amakuru yawe gusazwe kumurwi wa gatatu.

### Ivyisungwa mugutora abarongozi

Iyo watoye umuntu, aruwo mumuryango wawe, canke' umukozi wa Igisata kijejwe kw'injira no gusohoka kw'ingezi, abatanga uruhusha ku vyinjira canke akora mumurwi ujejwe kunguruza abantu mundege, canke uwujejwe gutohoza, canke umushinga mateka, umutware aguserukira, amakuru yawe ashobora kurungikwa kurabo bose kiretse mugihe wasavye ko bidakwiriye gukorwa.

Amakuru yawe ashobora gutangwa kubantu ufasha canke bagufasha.

### Ugushikirizwa kwivyawe kuzindi ntumwa za leta

Igisata canke departema iyohari ibibazo irashobora gutanga uburenganzira kucegeranyo c'amakuru y'ibikuranga kubwimvo y'uburongozi canke ibikorwa vy'abatwara canke uwuvyemerewe hakurikijwe itegeko ry'abacungera imbibe canke ayandi mategeko. Akarorero icegeranyo cokwemeza karangamuntu yawe, n'uguhinyuzwa kw' ivyete watanze kobisa neza canke bihuye nivyo amategeko asaba kumvo yo kuzuza ibisabwa.

Hama hariho ukuguza kwamakuru y'ibiranga abantu batandukanye hamwe n'Imirwi iserukira Leta kandi iyo mirwi ntaho yimirirwa kuko ifise ububasha ahabwa na Leta:

- Igisata co gufasha ikiremwa muntu Department of Human Services (DHS), mukurongora *Social Security Act 1991 (Umutekano kuribose m'ingingo yo 1991)*, *Child Support (Assessment) Act 1989 (Itegeko ryo gufasha abana wavyaye (ukwihweza) ry' 1989)* hamwe na *Child Support (Registration and Collection) Act 1988 (Itegeko ryo kurera abana wavyaye (kwandikisha no kwegeranya) ry' 1988)*
- Igisata co gufasha no gutunganiriza kuribose
- Igisata c'Uburimyi, mugufasha ibinyabuzima vya Ostraliya hamwe no gukurikirana *Quarantine Act 1908 (Itegeko ry'akato ry'1908)*, *Export Control Act 1982 (Itegeko ryo gukurikirana ibisohoka ry' 1982)* and *Imported Food Control Act 1992 (itegeko ryo gukurikirana imfungurwa zinjira ry' 1992)*
- Kwandikisha ibidandaza bikoreshwa mu kuguzwa
- Igisata C'amahinguriro, ubumenyi hamwe no Sayansi
- Australian Sports Anti-Doping Authority (Igisata ca Ostraliya kijejwe kurwanya ikorseshwa ry'imiti itemewe n'amategeko mu nkino) mugushira mu ngiro National Anti-Doping Scheme (Umugambi w'igihugu wo kurwanya ibiyovya bwenge)
- Igisata c'ubumenyi bw'abanyeshule, nokurongongwa kuri the *Education Services for Overseas Students Act 2000 (Ingingo y'abana baba nyeshule biga mumahanga yo mu 2000)*
- Igisata C'abakozi, Ubumenyi, Ivyashara bitoyi hamwe N'ivyimiryango kijejwe ibiranga abakozi bafasha mubikorwa bitandukanye
- Igisata c'ubuzi bukurikirana kandi bukongera bu kavura ibikoko, mu kuburongora biri muri *Veterans' Entitlements Act 1986 (Uburengazira bw'abaganga bi bikoko mungingo yo 1986)*
- Ibiro vya Ostraliya bijejwe ikori (ATO), mukurongora *Income Tax Assessment Act 1997 (Mukwiga Umwimbu uva Mumakori ingingo yo 1997)* hamwe n'ayandi mategeko agenga imisoro

© COMMONWEALTH OF AUSTRALIA, 2020

- Igisata c'umurwi ujejwe ibikorwa vyiza kandi biboneka mu gutohoza (FWO), mw'ishirwa mu ngiro rya *Fair Work Act 2009 (Itegeko ry'ibikorwa vyiza rya 2009)*
- Igisata c'ubumwe n'amakungu hamwe nugu tumatumanako (DFAT), mukurongora *Australian Passport Act 2005 (Pasepoti ya Ostreliya mungingo ya 2005)* hamwe nokuronka amakuru y'ibindi bihugu ku mvo yo gukingira urukurikirane rwama visa, hamwe no kwubaha amapasipoti yo hanze woba ufitiye uburenganzira bwo kuyatunga mukugira ubwenegihugu bubiri
- Abatowe baba Ostreliya, ku kurongora *Commonwealth Electoral Act 1918 (Ukwigenga kwamatora mungingo yo 1918)*.

## Ugusubirwamwo, hamwe nugutohozwa kwavyose

Iyo usavye kwemeza canke ko ubucamanza bwihweza icemezo, Igisata kizoca gitanga amakuru yose y'ibiranga umuntu muri Sentare iriko yihweza urubanza rwico cemezo.

Turanga amakuru y'ibiranga umuntu k'umirwi ujejwe gutohoza nka:

- Kumurwi wigenga hamwe n'umurwi ujejwe itohoza wo mugisata kijejwe kuraba ugusohoka n'ukwinjira kw'ingenzi
- Umurwi w'Ibiro vya Ostraliya bijejwe gutanga amakuru kubatwara
- Igisata kijejwe gukora Ivyegeranyo c'ivyakozwe harimwo n'umwimbu mug'Igihugu ca Ostraliya
- Igisata ca g'Agateka kazina muntu muri Ostraliya
- Igisata cumurwi ujejwe ibikorwa vyiza kandi biboneka mu gutohoza.

## Ivyihutirwa hamwe na mategeko y'inyamira mabi

Amakuru yawe ashobora gutangwa mu gisata c'umurwi w'inyamira mabi ujejwe imanza no gutunganiriza abantu mugihe habaye isanganya zihuta, nko gukomereka canke uwapfuye.

Igisata kiratanga kandi amakuru y'ibiranga umuntu ku mirwi ya Ostraliya (igihugu hamwe n'intara) hamwe n'amshirahamwe yo hanze y'igihugu aho biri ngombwa mu bikorwa vyo harimwo no gukingira, gufata vyagateganyo, itohoza, gukurikirana canke guhana ububisha butandukanye.

## Urutonde rujejwe gufasha

Amakuru yatanzwe mugusaba visa ashobora kwerekanwa m':

- Igisata co gutunganiriza bose mugutanga infashanyo y'ubwene gihugu
- Igisata C'amahinguriro, ubumenyi hamwe no Sayansi afasha kandi ukongera agatanga ninyigisho ry'icongereza canke ikinyamazuru.

## Ivyemeza mu gutangwa rw'icete c'uburenganzira

Iya uriko urasaba icete c'uburenganzira muri Ostraliya, Igisata kijejwe ingenzi ukozinjira n'uko zisohoka gishobora gutanga amakuru y'ibiranga umuntu hamwe n'uburenganzira bwo gukora iyo ushobora kuba warahawe canke utahawe ubwene gihugu. Ayamakuru azokwerekana ko vyukuriye ukwiriye guhabwa uburenganzira. Hariho n'ayandi makururu ushobora kuronka mugihe wasavye vyangombwa vyemewe n'itegeko ry'imisoro.

## Gutanga uburenganzira k'amakuru y'ibiranga umuntu

Ibiranga umuntu'vyerekanwa neza kuru papulo rwa 1.

Igisata gifise ubu bubasha musi yigice ca 4A yivyo kuba mu mahanga hamwe na s43 yi vy'ubwene gihugu no kwemezwa kw'ibiranga umuntu mugihe cingorane. Akarorero harimwo:

- kwihwezwa k'ubwene gihugu canke ivyama visa
- Igisata c'inyamira mabi kijejwe amategeko no gutunganiriza abantu
- uguhana amakuru y'ibiranga abantu hamwe ninteguro na ntumwa za Leta Ostraliya
- gutangwa kw'amakuru akenewe kubutungane canke sentare canke umurwi wo gutohoza
- mugihe bisabwe na Leta ya Ostraliya.

Igisata kirafise kandi uburenganzira musi yingingo y'ubwene gihugu hamwe n'amakuru y'ibiranga umuntu ku mvo y'ubwene gihugu hamwe n'ukwandikwa kw'ababa mu mahanga.

Igice ca 4A yingngo yo kuba mu mahanga iremerera canke ira rekura Igisata kwakira amakuru y'ibiranga ingenzi (harimwo ibiranga umuntu) mubibazo bishobora gukurikira:

- kubihuye canke ivyerekeye nka:
  - ukwerekanwa canke kw'ibiraga umuntu uwariwe vyukuri
  - kwemererwa 'umuntu uko yinjiye canke yasohotse mugihugu ca Ostreliya
  - ukumenyekana k'umunyamahanga canke ingenzi k'ububisha yoba yarigeze canke yoba ya rakoze imbere yuko yinjira hamwe n'ingeso canke ibibazo vyerekeye umutekano
  - ukurwanywa kw'ivyete Atari vyukuri canke vyububeshi muri imigrasiyo
  - ugufashwa mukongerezwa hamwe nugu kingirwa kwa visa
- kumenyekana canke kugenzura umuntu (raba kandi umugabane wa 33FA and 33FC wibijanye nuruhara rwa imigrasiyo)
- Kurongora kw'ibikorwa vyitohoza nk' ibiro vy'umurwi w'gihugu ca Ostraliya ujejwe kwiga hamwe no gutohoza no gukingira agateka kazina muntu
- mu gutegura hamwe n'umurwi wa banyamahanga mu gutwagwa canke guhindura ubuturo uva muri Ostreliya canke kwimurwa uvanwa muri Otreliya kubwinvo yibikwagira
- mukugira amakuru aboneke mu kwereka uburongozi bw'abanyamahanga, amategeko y'inyamira mabi hamwe n'ugukingigwa kw'imbibe kw'uburongozi bw'abanyamahanga canke mukumenyesha amashirahamwe mpuza makungu ku bw'ikibazo ibibazo bishikira ingenzi ziba mumahanga. (raba igice ca 5A(3) c'ingingo yerekeye ingenzi ziba mumahanga)
- mu kuronka canke mu gutanga ifashanyo mungora z'ubwicanyi mpuzamakungu.

Kubwi do ni do yi vyerekeye amakuru ajanye n'ibikuranga raba icete ca 1243i.

Mubijanye na ma visa yabakozi, Igisata kijejwe ingenzi kirarekura canke kiratanga uburenganzira bwo gatangwa kw'amakuru ajanye n'ibiranga umurongozi canke ubwoko bwa visa ufise na nyene iyo visa canke uwugufasha canke umutware wawe (raba igice ca 140ZH yamategeko agenga ingenzi hamwe nu gutunganywa kwa 2.103, na 2.104 na 2.105 yamategeko).

Igisata kiremerewe gusabikanya inkuru z'umuntu zifatiye Inkuru z'imbibe hamwe no Gukingira abinjira no Gusohoka (raba mu gice 4(1) C'itegeko ry'imipaka ku mwo zimwe na zimwe nkuko vyavuzwe mu gice ca 6 c'itegeko ry'abacungera imbibe. Ku mvo zimwe na zimwe, itegeko ry'abacungera imbibe riremerera gusabikanya inkuru kuri iyi mirwi ikurikira:

- Imirwi canke amashirahamwe ya Leta hamwe n'ay'intara
- Igipolisi ca Leta ya Ostraliya (AFP) canke abapolisi basanzwe canke abacunga umutekano b'intara
- uwucunga umutekano
- Abaserukira Leta canke intara (ak: uwuhagarariye abandi)
- abakozi canke abantu bemerewe n'abacungera imbibe za Ostraliya (Secrecy and Disclosure) (amabanga hamwe no kuyahanahana) itegeko ry' 2015, nk'akarorero ishirahamwe Red Cross ya Ostraliya
- ibihugu vyo hanze canke amashirahamwe rusangi mpuzamakungu.

Naho biri uko, inyuma y'izo mvo zidasanzwe zo mu gice ca 6 c'itegeko ry'abacungera imbibe, guhanahana amakuru y'umuntu bikorwa hakurikijwe itegeko ry'abacungera imbibe kandi kuri iyo mirwi iri hejuru gusa kandi bakabikora ari uko hari imvo imwe canke zirenga mu 'mvo zemewe' nk'uko ziri mu rutonde ry'itegeko ry'abacungera imbibe. Uturorero dushobora kuba guhanahana amakuru ku mvo zikurikira:


© COMMONWEALTH OF AUSTRALIA, 2020

- gushira mungiro canke guhimiriza itegeko ry'inyamira mabi canke itegeko rijanye n'urudandaza
- mu gufasha mu bijanye no gucunga umutekano, itohoza canke igisabo
- gukingira ubuzima bw'abanyagihugu, canke ubuzima canke umutekano w'umuntu umwe canke benshi
- kwegeranya canke guhinyuza ibiharuro hakurikijwe *Census and Statistics Act 1905 (itegeko ryo gukora ruransuma ry' 1905)* canke *Australian Bureau of Statistics Act 1975 (Itegeko rya Ostraliya ryo mu biro vya rusasuma ry' 1975)*
- gukingira aho abantu bahurira
- kumenya umutu uwo ariwe hamwe no guhinyuza nimba ari umunyagihugu canke viza(visa) afise
- gutanga imfashanyo ku bantu batari abanyagihugu ba Ostraliya
- gushira mu ngiro umugambi w'igihugu wo kurwanya ibiyovya bwenge
- intumbero ijanye n'abimukira, akato canke gucungera imbibe Ostraliya ihana n'ibindi bihugu
- ibibazo birabwa n'amategeko atandukanye harimwo Customs Act, Migration Act, Maritime Powers Act, Citizenship Act, IGOC Act, (itegeko ry'imisoro, itegeko ry'abanyamahanga, itegeko ry'inguvu zo mu mazi, itegeko ry'ubwene gihugu, itegeko rya IGOC, n'ayandi)
- intumbero ijanye no gukingira canke umutekano w'igihugu.

Igisata kirashobora gutanga uburenganzira bwo guhanahana inkuru z'umuntu zikingiwe mu gihe nyene zo abitangiye uburenganzira, guhanahana inkuru ni ngombwa mu kwirinda canke kugabanya iterabwoba ku buzima canke amagara y'umuntu canke inkuru zemejwe n'itegeko ko zishobora kushirwa ahabona.

Igice ca 51 c'itegeko ry'abakingira imbibe ryemeza ko guhanahana amakuru bikorwa hakurikijwe ingingo zo mu gice ca 6 c'iryo tegeko bifatwa ko iryo hanahana ry'amakuru riba ryemewe hakurikijwe itegeko mu ntumbero y'itegeko ry'amabanga.

Mu guheraheza, ihanahana ry'amakuru zijanye no Gukingira Imipaka hamwe no Abinjira no Gusohoka riremewe hakurikijwe itegeko ry'abacungera imbibe iyo bikozwe mu ntumbero yo kubahiriza akazi k'umuntu canke ibikorwa vya Leta. Igisata gitegerezwa gukurikirana ko iryo hanahana ry'amakuru rikurikiza itegeko ry'amabanga.

Igisata kiremerewe kusabikanya inkuru z'umuntu zikingiwe ku mvo zimwe na zimwe mu nteguro ijanye n'imisoro nk'akarorero itegeko ry'imisoro hamwe no gushirwa mungiro kwayo.

### Urukurikirane rw'urutonde rw'ivyegeranyo

Ivyegeranyo vy'ukuza canke ukwinjira hamwe no gusohoka kwingenzi muri Ostraliya bishirwa mububiko bwi vyegeranyo. Bishobora kuba ivyemeza kubwinvo zikurikira:

- the Migration Act (Itegeko rwo kuba mu mahanga)
- the *Family Law Act 1975 (Amategeko y'umuryango yomu 1975)*
- Uburongonzi bujejwe amategeko y'imico itendukanye
- Uburwayi canke ubupfu canke
- amategeko ajejwe n'inyamira mabi
- the *Education Services for Overseas Students Act 2000 (Ingingo y'abana baba nyeshule biga mumahanga yo mu 2000)*
- Ukwerekanwa kubwigenge, bw'igihugu canke bw'agacimbiri, nku burongozi bw'urutonde bwo kunzu kunzu zo mu gacimbiri canke ugutunganywa kurutonde kubuzima bwiza maze no k'abana.

### Guhanahana amakuru ku mvo z'ishirwa mu ngiro ry'itegeko hamwe n'izindi mvo bijanye

Kenshi na kenshi guhanahana amakuru n'Igisata ku mvo z'ishirwa mu ngiro ry'itegeko n'izindi mvo bijanye (harimwo ishirwa mu ngiro ry'ibikorwa hakurikijwe itegeko ry'abimukira hamwe n'iry'ubwene gihugu hamwe n'ishirwa mu ngiro ry'ibindi bikorwa canke ayandi mashirahamwe) hakubiyemwo:

- Ostreliya hamwe n'umurwi ujejwe amategeko mpuza ma kungungu mu gufasha no mukwerekana inyifato zisabwa
- Ostraliya hamwe n'umurwi ujejwe amategeko y'inyamira mabi mpuza makungu kandi hamwe n'umurwi w'inca bwenge hamwe numurwi w'inyamira mabi ujejwe gufasha, Inyamira mabi mpuza makungu, CrimTrac (umurwi w'igihugu ujejwe gucungera imbibe), AusTRAC, kurerekwa numurwi w'abashinga mateka ujejwe guhagararira nogusaba sentare mpuza makungu hamwe n'urwego rujejwe kugenzura ingenzi ukozinjira nuko zisohoka mukuraba kw' amategeko ko ashirwa mungiro neza kubw'ikibazo c'umutekano w'igihugu kandi harimwo n'ukwikekwa kwabicanyi canke bari mu mirwi y'abagizi banabi batoteza ikiremwa muntu
- Igisata ca Ostraliya kijejwe guhimiriza no gushira mu ngiro *Law Enforcement Integrity Commissioner Act 2006 (amategeko ajejwe inyamira mabi)*
- ATO, DHS hamwe n'ubundi bwigenge bw'imirwi canke mu gacimbiri mukwerekana ibikorwa vy'umuntu hamwe nicegeranyo c'ivyo ashoboye gukora kubwikibazo canke ku mvo yokuronka canke gusaba visa
- AFP hamwe n'umurwi w'inyamira mabi ujejwe kuraba abanyamahanga badakurikiza amategeko
- Umurongozi ajejwe gutoteza canke kurwanya abanyamahanga canke abenegihugu bakoze nabi canke bitwara nabi
- Uburongozi bw'abanyamahanga bujejwe gutahana abanyamahanga bakosheje canke bitwaye nabi mumahanga
- FWO, Igisata c'indero no kwigisha abanyeshule, abakozi, abafasha abakozi, abafasha hamwe n'abakozi bajejwe kwiga ibibazo vyerekeye ibisabwa kuma visa kandi n'uburungozi bwo gufasha ibisabwa, hamwe nukwereka neza ibiri kubiri n'amategeko.
- amashirahamwe y'ishirwa mu ngiro ry'itegeko harimwo igipolisi c'igihugu (AFP) ku bijanye n'ibiranga umuntu kubasaba visa hamwe n'uwusabira abandi hakurikijwe umugambi wo kwitaho impunzi hamwe n'ikiremwa muntu, mu gushira ahabona ishirwa mu ngiro ry'itegeko iryo ari ryo ryose canke ibibazo bireba umutekano w'igihugu.

### Guhanahana amakuru kwa Leta mw'itegeko ry'umurwi w'inyamira mabi

Igisata ni ishirahamwe rihimiriza itegeko mu ntumbero zimwe na zimwe hakurikijwe amategeko akurikira: the *Crimes Act 1914 (Itegeko mpana vyaha ry' 1914)*, *Criminal Code Act 1995* (*itegeko rishiraho ibihano mpana vyaha ry' 1995)*, *Australian Nuclear Science and Technology Act 1987* (the ANSTO Act) *(Nuclear Science ya Ostraliya hamwe n'itegeko ry'ubuhinga bwa none ry' 1987* (itegeko rya ANSTO), hamwe n'itegeko rya *Independent National Security Legislation Monitor Act 2010* (*Independent National Security Legislation Monitor ry' 2010)*, kandi bashobora guhanahana amakuru y'umuntu mu ntumbero yo gukora akazi kabo no gushira mu ngiro ibikorwa hakurikijwe ayo mategeko.

### Ikindi cegeranyo kijanye n'urutonde rw'okurongora

#### Ifashanyo m'Ugukingira

Amakuru ajanye ni vy'abantu atanga ifashanyo yo gukingigwa kandi bigashirwa murutonde rwa Centrelink mugufasha gutanga udufaranga twagafashanyo kingurane hamwe n'ibirangamuntu kandi nokuriha kw'amadeni uheranye.

#### Ivyakazi, ubushikiranganji bujejwe abakozi hamwe nivyo bashoboye gukora

Igisata kira shobora kurungika amakuru yawe kabakoresha canke kubatanga ubuzi y'ibikuranga mu kuba mu mahanga hamwe nu b'ubumenyi bwiza ufise kandi n'igihe visa yawe izoherera, Abatanga ubuzi canke umurwi wa gatatu ukoresha canke uratanga amakuru yawe kubakoresha canke kubatanga ubuzi. Akarorero, Iyo wasavye akazi Igisata kijejwe ingenzi gishobora gutanga icegeranyokijanye n'amakuru yawe k'ubwurenganzira bwo gukora.

Igisata gishobora gutanga amakuru yawe mugihugu canke k'umurwi w'iterambere n'umwimbu umukarere ubamwo canke umurwi ufasha mukwigisha ingenzi ivyubumenyi bw'ubwenge ku mvo yokumenya neza uko abantu bashobora gukora canke kuronka ubuzi butandukanye butangwa mu mategeko kandi buka buzwi na leta.

## Ugutegurwa hamwe n'inyigisho

Amakuru aranga umuntu ashobora gutangwa kuri:

- DFAT, Igisata c'amahinguriro hamwe n'Igisata ca mashule kubakeneye kwiyungura ubumenyi canke kwiga mugihugu ca Ostraliya
- Igisata kigenga abakozi mugufata ingingo zijanye nikibanza harakazi mu buhinga bwa none bwogutangaza ubuzi kuribose
- Igisata ci vy'amashule hamwe n'umurwi w'uburongonzi mugihugu ca Ostrelaya kandi wongera ugakurikirana ubumenyi bw'abanyamahanga ku mvo yokubahindurira canke yokubaha ama visa abemerera gukora
- Igisata c'ubumenyi gitanga inyigisho zogufasha ku banyamahanga z'icongereza canke ikinyamazuru musi y'uburongozi bw'urutonde rw'icongereza ku banyamahanga bakwije imyaka
- Ibisata vya Leta mu ntumbero yo gushira mungiro ibijanye n'abatanga indero.

## Amagara

Amakuru yivyereke amagara yawe canke umuryango wawe nkuko bisabwa mugihe uriko urasaba visa bishoboka ko bishikiriza n'umurwi ujejwe ivyamagara yabanyamahanga ku mvo yokwihweza neza ko amagara yawe akwije ivyangombwa bijanye na visa uriko urasaba ku mvo yokuraba ko ikibazo c'amagara yawe gikwiriye kurekwa canke kidakenewe canke ku mvo yo gukingira amagara yabandi.

## Kwinjira kw' Impunzi hamwe n'ugufasha vy'ikiremwa muntu hamwe n'ugukingigwa kw'abazanywe

Igisata kirashobora guhana hana amakuru y'ibiranga impunzi zinjiye hamwe n'murwi ujwejwe gufahsa ikiremwa muntu hamwe nibisabwa mugihe bishoboka k'umurwi wo gufasha ikiremwa muntu musi y'uburongonzi butanga ifashanyo y'ubwene gihugu.

Igisata gishobora gutanga amakuru yose ajanye n'abasaba kwemerwa nkimpunzi hamwe n'abifuza kuronswa ivyangombwa biranga kwari impunzi kandi no k'umurwi ujejwe ugutangwa kw'ama visa kukiremwa muntu mw' Ishirahamwe mpuza makungu ryo gufasha impunzi (UNHCR) koryihweza neza ibiranga abantu hamwe nokubakingira harimwo no gusuzumwa kw'ivyete vy'udukingirizo bahawe (protection).

Igisata kijejwe abanyamahanga gishobora gutanga amakuru k'umirwi mpuza makungu ijejwe ababanyamahanga baba mumahanga kugira ushobore kugira ico ibafashije.

## Guhagarikwa

Igisata kijejwe abanyamahanga gishobora gutanga amakuru y'ibiranga umuntu mugihe ya hagarikijwe na imigratiyo ku:

- murwi w'igihugu canke akarere ujejwe ukubaho neza kw'ikiremwa muntu ku mvo yo kwihweza neza uko ibintu bikwiriye kugenda hamwe nugufashwa kuwomuntu ariwenye hamwe no kurongora neza uwahagaritswe uko akwiye kuvyifatamwo hamwe nogufashwa kubijanye n'amagara yiwe
- umurwi wo mugihugu canke mu karere ujejwe gufasha abarangutswe hamwe n'ugusuzuma ibibazo bijanye na imigrasiyo
- umugwi ujejwe gufasha abasaba ubuhungiro bari hanze y'igihugu
- amashule canke abajejwe amagara y'abantu hamwe n'umurwi wajejwe ukubaho neza kandi mu mahoro canke abahanuzi bafasha imigrasiyo mugufasha abavyifuza canke mukugufasha gutaha hamwe wewe n'umuryango wawe.

## Ukubaho neza hamwe n'ukurindwa kw'abana

Amakuru y'ibiranga abana hamwe n'abavyeyi/ abarezi/ ukurerwa hamwe nugukingirwa kw'abana amakuru yabo ashobora kurungikwa mw'ishirahamwe ryogufasha kubaho neza kw'abana hamwe namashirahamwe yo kubakingira ku mashirahamwe yo muntara, igipolisi co mu ntara canke ayandi mashirahamwe ya Leta ya Ostraliya ku:

- gutegura hamwe nogufasha kandi n'ukwihweza neza ukumuntu yofashwa akabaho neza n'umurwi ujejwe guhagarika wa imigrasiyo
- gutohoza ko harimwo ugutotezwa canke ugufatwa minenerwe
- gufasha muvyo gutaha hamwe no kugira iperereza.

Amakuru y'umwana yinjiye igihugu ca Ostraliya kuko yegukiye uyundi muryango ataru wiwe mu mategeko (adoption) ashobora gutangwa k'umurwi womukarere canke agacimbiri w'isharahamwe ujejwe ukubaho neza kw'abantu, Australia's Central Adoption Authorities and Intercountry Adoption Australia.

## Amakuru ku biro biserukira igihugu mumahanga, Umurwi udasanzwe hamwe nibibanza vyokuronkeremwo impapuro zitanga uburenganzira bwogufata ingendo.

Iyo wahawe visa kumupaka kandi amategeko akaba atakwemerera kuguma muri Ostreliya, ugomba gusohoka ukagenda. Iyo udafise ivyangombwa bisabwa mugufata urugendo mugihe catunganijwe, bisabwa ko wewenyene uja mugisata kibitanga kuvyisabira. Kandi biremerwa mugihe cogutegura ugusohoka kwawe.

Igisata kijejwe abanyamahanga gishobora gutanga inkuru nke zikenewe zasabwe n'ibiro biserukira igihugu mumahanga kandi hamwe na ma visa canke Umurwi udasanzwe, canke ibiro bito bijejwe nogutanga amavisa mugufasha kushobora guhabwa guhabwa impapuro z'urugendo hamwe hamwe nibikenwe vyose.

## Ubwenegihugu

Igisata kujejwe abanyamahanga gishobora gutanga amakuru yawe aho gutanga ibikuranga ku:

- Ibiro vyo mukarere biserukira Leta canke iyindi mirwi ku mvo yogukora kandi nogushika kurubanza go guhabwa ubwene gihugu
- Umukarani mukuru w'abatware bohejuru baserukira Leta hamwe n'Igisata c'Umushikiranganji hamwe n'abarongozi bo mubushikiranganji mu gusuzuma icete cogusaba ubwenegihugu kubwicubahiro c'igihugu ca Ostreliya
- Abashinga mateka hamwe nabarongozi baserukira Leta bo mukarere ku mvo yo kwakira umwene gihugu mushasha mumu ryango wa ba Ostraliya.

## Ubushakashatsi bwaba mumahanga

Amakuru yawe ashobora gukoreshwa mukwinegura biciye kubanwanyi bubu canke bakera. Amakuru yawe ashobora gutangwa kuyindi mirwi canke kubakozi bigice caga gatatu ku mvo yo gukora ubushakashatsi, iperereza, ukwihweza kw'imigabo ugamije/ canke urutonde rw'iterambere ufise. Umurwi wokwiga ivyawe ukoreshwa mu guperereza kubwinvo yibikenewe kugira ugire ibikwiye. Ivyegeranyo vyabonetse birakorerwako mwitohoza imbere yuko bitangwa canke bishikirizwa.

Amakuru aranga umuntu ashobora gushikirizwa mu biro vya Ostraliya bijejwe ukongerekana kw'abantu bashasha hamwe nizindi ntonde za imigrasiyo n'ubwene gihugu arico kintu canyuma gihindura umunyamahanga kuba umunyamahanga ahubwo akaba umwene gihugu.

Amakuru ajanye n'abantu ba shasha baje ashobora gutangwa mukarere canke kumirwi yo muga cimbiri canke umurwi ujejwe ababa mu mahanga mukubafasha gutegura uburaro canke mukubaronsa uburaro.


© COMMONWEALTH OF AUSTRALIA, 2020

## Imanza nkuru mpuzamakungu

Amakuru yawe ashobora gutangwa kumirwi ya leta ya Ostraliya bajejwe gutegura imanza mpuza makungungu nk'inkino zo kwi nonora imitsi nutu genegene tunezereza abantu; inama mpuza makungu zabarongozi bibihugu canke buturere, imico itandukanye canke imanza z'amadini canke ibirori bitandukanye.

Igisata gishobora gukoresha amakuru asanzwe n'igihugu ca Ostreliya hamwe nimirwi mpuza makungungu hamwe nibindi bihugu mugufasha urutonde canke imyiteguro yimanza zishobora kuzoshika.

## Amakuru yerekeye ingingo z'amabanga y'Igisata

Ingingo z'amabanga y'Igisata zishobora kuboneka kumurongo wa website **https://www.homeaffairs.gov.au/access-and-accountability/our-commitments/privacy**

Ingingo ziba zirimwo amakuru yerekeye nk':

- ushobora kuronka amakuru yawe yakozwe n'Igisata kijejwe gufasha abanyamahanga nugushubora gukosora
- uko ushobora kugira icuvuze muguhindura amabanga hamwe n'ivyakubabaje biri murutonde Igisata cakoze ariko atarivyo.

## Icegeranyo c'amakuru yawe kumirwi yohanze yigihugu

Igisata kirakoresha ubuhinga bwohanze bita IT contracts mukurungika hamwe na Store data harimwo ibibanza vyohanze y'igihugu.

Mungorane zimwe zimwe turatanga amakuru kumirwi yo hanze. Kenshi iyo mirwi duha amakuru aba ari imirwi yo mugihugu cawe wavukiyemwo canke waje uvamwo (kirete iyo wasavye gukingirwa itotezwa ry'ivyo bihugu kandi ukaba ukirindiriye ko baguha inyishu kubijanye n'ivyo wasavye). Ibica bibamwo ivyegeranyo kumirwi ijejwe kunguruza abantu n'indege mugutegura uko waje nurukurikirane rw'ivyama visa.

Uku guhanahana kwa makuru hamwe n'ibihugu canke n'amashirahamwe mpuza makungu afise amasezerano yoguhana amakuru na Leta ya Ostraliya tutagarukirije kuri ayo gusa, harimwo Leta zunze ubumwe za Amarika, Ubwongereza, Canada na New Zealand. Izo nkuru zisabikanwa hakubiyemwo guhanahana biometrics (ibiranga umuntu).

Iyo bias neza n'amakuru akuranga, Igisata gishobora gukora icegeranyo c'amakuru y'uwuriwe hamwe n'icete c'urugendo hamwe nibindi vyegeranyo canke amakuru bijanye nka, ivya imigrasiyo canke ivy'amakuru ya imigrasiyo (bishobora kubamwo ikintu cose c'ubusuma canke kitaciye mumategeko muri imigrasiyo) canke kuvyerekeye amakuru yububisha wo ba wagirizwa.

Invo yibi vyegeranyo nu kugufasha kwemeza neza uwuriwe neza kandi ko woba warigeze gushikiriza muyundi murwi icegeranyo c'ibikuranga bisa gutya hamwe nivyete bifitaniye isano.

Mugihe uriko urakora ibikorwa vyogufasha guteza imbere ukubaho neza kw'abantu canke kw'ikiremwa muntu canke gukingirwa muguhabwa visa kubwinvo yuko uriko urwanya igihugu kanaka canke utemeranya n'igihugu kanaka, Igisata ntikizoheza ngo gitange amakuru yawe kiretse mugihe uri muri Ostraliya kandi nawe:

- wasavye kandi ukemera kuzosubira murico gihugu, canke
- wasanze igihugu ca Ostreliya udashobora kucaka kugukingira canke ubuhungiro kubwinvo.

*Urupapuro rutangura* **www.homeaffairs.gov.au**

*Imirongo isabwa kandi nkenerwa*

Telefone **131 881** mu mwanya w'amasaha y'akazi muri Ostreliya iyo ukeneye kuvugana n'uwuri k'umurongo (amakuru yafashwe ashobora kuboneka muraya masaha). Namba urihanze ya Ostreliya hamagara umurwi wa Ostreliya ukwegereye.